Agahinda k'umugumyabanga

Gira Cndd – Fdd!!!!!!

Bagumyabanga twasangiye urugamba,

Igituma nanditse aka kabaruwa, n'uko intuntu yanyishe none nifuza kusangira ivyiyumviro n'abo twari kumwe mu muhari. Muribuka ingene twari tumeze nk'abavandimwe, ingene twasangiye vyinshi, ingene umugumyabanga avuye ku rubuga atumwe muri mission, yarara mu rugo gw'umugumyabanga uwariwe wese mu ntara bwije agezemwo.

Tukiri muhari muribuka ingene twagoranywe, muribuka igituma twiyita abagumyabanga. Twari tuzi yuko dushaka kwikurako intwaro z'agahotoro, intwaro za mwana wa mama, zishigikiwe n'igisirikare c'ubwoko bumwe. Bamwe bamwe twagiye mw'ishamba duhunga ico gisirikare nyene. Twari dufise umusimamo ukomeye.

None iyo nitegereje ibiriko biraba ubu,nkabona iyo twavuye, ico twarondera, ico twashitseko, n'aho tugeze, agahinda karanyica. Ubwanwa bwarafutse umunwa.

Ehe raba namwe yemwe!!!!!

Ba bikomagu na ba Buyoya bariraramiye mu matunga yabo ngaho kandi barijandajandira, ariko abahutu ubu nibo batotezwa: eh mama uyu munsi twumva ngo Pasteur Mpawenayo yatawe mu mvuto atagira dossier imwagiriza, uyundi munsi ngo ni Radjabu yarementanirijwe ivyaha, agacirirwa n'imanza za ngonde gonde. Ejo ngo ni Ndayizeye Domitien yatawe muri yompi, bukeye ngo yarekuwe ntaco yagirizwa. Ubu numva ngo hariko hahamwa Rwasa. Abo rero n'abategetsi ivyabo biramenyekana kuko bivugwa mu maradiyo. Nayo amabi yirigwa araba kuri ba nyarucari ntagira igitigiri : birigwa baricwa nk'impongo, bamwe banigwa abandi batabwa mu mvuto.

Ubu ubutegetsi buri mu minwe y'umuhutu yavuye muri cndd – fdd. Ivyo nivyo twaharaniye ga bavandimwe aho twashaka kwikurako intwaro ntutsi?

Kera twatinya igisoda c'abatutsi, none ubu umuhutu ahura n'igipolisi kirimwo abahutu umutima ukaranduka. Mu kazi n'aho

abakire: udafise “Umwana I Mwaro”, canke ngo ube ufise imari yo gutanga, nta kazi uronka.

Iyo ngiye mu nama z’umugambwe, mpora nibaza nti “Mbega yemwe uyu mugambwe woba ari wa muhari twagoregwa ukuraho”? Haraho ugwa ku bawuserukiye mu nzego zimwe zimwe, batazi n’ingene baramukanya, ikitavuzwe co n’akarangamutima ka cndd – fdd. Uwo ni wa muhari wacu canke n’ibindi? Ntibitanganje ko bakorera inkono ishushe abandi, kuko ntibazi n’uko ivyo vyari bibujijwe mu karangamutima k’umuhari n’umugambwe cndd – fdd.

None twakize iki? Twavuye he tuja hehe? Ngo Muhuza asigaye acuditse hamwe na Kagame? Ngo barahoyahoyana n’umutegetsi wa Kongo : muribuka ingene ico gihugu arico cadutunze? None ubu ngo incuti yacu ni Kagame, iyo nibutse ingene twamugwaniriza mu mashamba ya Zaire, nca ngwa nicaye. Haraho numva ngo Perezida n’agadasohoka na Simbananiye n’ingene twakuze batwigisha ko ariwe ruhonyanganda za 1972. Nti mbega yemwe vyagenze gute?

Iyo nibutse abantu bapfuye bazira ako karangamutima, nkibuka umusimamo twahorana, nkibuka ko twari tuzi yuko twotaha twohindura ibintu, ngasanga ubu ntan’uwucibuka ico akarangamutima kavuga, nkaraba ingene ata n’ibanga rikiragama mu mugambwe, nkabona ingene ubwoba bwatekeye abagumyabanga babonye igipolisi c’abahutu, nca nibaza nti mbega ayo maraso yose yasesewe iki? Ndabura inyishu nkicwa n’agahinda.

Agahomera n’ico umugambwe wacitse : aho dushikiye I Bujumbura, nta minsi yaheze tuja twumva ngo abategetsi bacanyemwo, n’ukuvuga ko abagumyabanga biciyemwo kubiri, ugwo gwari uruguma gwa mbere. Bamwe baca batangura gutotezwa, niho basubirigwa n’abandi bashasha batazi iyo vyavuye, baciye bikorera aho gukorera umugambwe. None raba aho tugeze : kugira dutsinde amatora, dusigaye dutegerezwa kuyiba. Agahomera bunwa. Umugambwe turahevye? Kuri jewe iyi cndd – fdd ihari ubu si ya yindi yavuye mu muhari.

Bavandimwe,

Nituve mu kuzimu tuje i Buntu, twisubireko, tureke gutoteza abo twari dusangiye urugamba. Dusubire tuje hamwe, nayo ahandi hoho murazi ko baca umugani mu Kirundi ngo “utema ugwiwe bamutiza umuhoro”; abo ba gateranya twagize incuti bahora ar’abansi bacu, nibabona twishe umugambwe ariwo wari nkingi yacu, bazoca batuja ku gatwe batambireho. Mbwiye gito canje gito c’uwundi cumvireho. Ivyarivyo vyose, dutegerezwa

kugarukira umugambwe wacu ntuhave ugenda akagirire, vyanse mu mashi dushire mu maboko.

Komera !!!!!!

Umusomyi wa The Leadership Institute